ADC-IKIBIRI

Alliance des Démocrates pour le Changement au Burundi

ITANGAZO

1. Imigambwe ihurikiye mu runani ADC-IKIBIRI yarashimishijwe n'umugambi wafashwe n'amashirahamwe adaharanira inyungu za poritike wo gutanguza ibiganiro hagati y'imigambwe yanse ivyavuye mu matora na Reta iri kumwe n'umugwi CENI. Turabasavye ntibadebukirwe kuri uyo mugambi wo kugarukira demokarasi mu Burundi.

2. Ariko ADC-IKIBIRI iraneguye yivuye inyuma inyifato y'Umukuru w'Igihugu, Reta yiwe n'umugwi CENI bagomba guhatira Abarundi mu matora akumira abandi banyeporitike, akongera agatera icuka kibi muri benegihugu.

3. ADC-IKIBIRI iriyamirije kandi iyo nyifato y'abarongoye igihugu hamwe n'umugwi CENI yo kwigira basindabibazwa. Aho bogize uko bashobora kose ngo bagarukane icizere mu Barundi, kugira ngo habe amatora atarangwa n'ubusuma, maze abanyeporitike bayage bumvikana kugira ngo habe amatora atagira akanenge ; ngabo bihaye kwifatira mu gahanga abandi bogiye muri ayo matora ngo ntaco bamaze, mbere bakanabakumira, abanywanyi babo bagatotezwa mbere bakabahereza mu gasho.

4. ADC-IKIBIRI yongeye gusaba ko hoboneka umuti w'aya matati bidaciye mu migere, ikaba imenyesheje Abarundi n'amakungu ko inkwirikizi mbi zose zizova muri aya matora yaranzwe no gukumirana, ubusuma, itotezwa ry'abatavuga rumwe na Reta n'ayandi mabi yose; bizobazwa Umukuru w'Igihugu, Reta y'iwe n'umugwi CENI.

5. Kuri ivyo rero, Indongozi z'imigambwe ihurikiye mu KIBIRI ADC, zirateye akamo abanywanyi n'Abarundi bose kutitaba amatora y'abashingamateka n'abakenguzamateka azoba ku magenekerezo ya 23 na 28 mukakaro 2010.

ADC-IKIBIRI irongeye gusaba abanywanyi bayo n'Abarundi bose kuguma batekanye, bafatane mu nda, bime amatwi ababashinyaguriza, n'ababatera ubwoba canecane muri iki gihe, yaba Umukuru w'Igihugu, yaba Reta arongoye canke wa mugwi CENI bagomba kudusubiza mu ntwaro y'umugambwe umwe, intwaro irangwa n'agacinyizo.

6. ADC-IKIBIRI irasavye ishimitse ko Umukuru w'Igihugu na Reta arongoye borekura mu makuru masha abanywanyi bayo bose bapfungiwe ubusa, bakongera kandi bakareka indongozi zayo zigasubira kwidegemvya.

Turongeye kandi gusaba ko Umukuru w'Igihugu, Reta yiwe na CENI bokwisubirako, bakagarura umutima wo gukunda igihugu, bahagarika aya matora azohava asubiza igihugu mu kaga, bakitaba ibiganiro kugira ngo tuje mu matora adakumira, Abarundi baheze basubize umutima mu nda.

7. Imigambwe ihurikiye muri ADC-IKIBIRI isavye amakungu guharira ivomo inzego zose zizova muri aya matora y'i 2010 yaranzwe n'ubusuma n'ihonyangwa ry'amategeko agenga Republika y'Uburundi.

Bigiriwe i Bujumbura kuwa 9 mukakaro 2010

Umuvugizi wa ADC-IKIBIRI

Umushingamateka **Leonardo NYANGOMA**

Adresse :ROHERO II, Avenue KUNKIKO n°46 ngevador@yahoo.fr Contacts : 257 22273369/79855807